LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°524 co kuva kuwa 27 Ndamukiza gushika kuwa03 Rusama2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 03Rusama2026, abantu bashika 865babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 86 barasubiye kuboneka abandi 781 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA.................................................................5*

*I. UMWIHWEZO .................................................................5*

*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ..............................9*

*III. UBURENGANZIRA KU MIGWI ..............................................11*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.................................................13*

**INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 Ntwarante 2023**



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CNDD-FDD** : *Inama y'abanyagihugu iharanira intwaro rusangi-urunanirukingira intwaro rusangi (umugambwe uri ku butegetsi)*

**COPED** **:** Ihuriro riharanira indero n'iterambere

**ECOFO** **:** Ishure shingiro

**FRAD** **: Urunani ruraba amashamba no kwiteza imbere**

**HCR** **: Ishirahamwe riraba impunzi**

**OIM** **:** Ishirahamwe mpuzamakungu riraba ivyo ingenzi

**PMPA** **: Umugambwe ukaba n'umuhari witwaje ibirwanisho**

**RDC** **:** Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

0. INTANGAMARARA........................................................5
I. UMWIHHWEZO........................................................5
I.1. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO ........................................................5
I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ........................................................5
I.3. UMWIHWEZO W'UBUFASHA........................................................ 7
II. UMWIHWEZO W'ABANTU NO MURI POLITIKE ........................................................9
II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA ........................................................9
II.1.1. UBWICANYI BUTEGUWE........................................................9
II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE ........................9
II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA ........................................9
II.2. UBURENGANZIRA BWO UKUDAKUBAGURWA........................................................10
II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU........................................................10
III. UBURENGANZIRA KUMIGWI........................................................11
III.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA........................................................11
IV.UGUSOZERA N'IBISABWA........................................................13

# 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana uko agateka ka zina muntu mu Burundi muri ino ndwi yo kuva kuwa 27 Ndamukiza gushika kuwa03 Rusama 2026. Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka uranihweza ibijanye n'ubutungane,umutekano hamwe n'ubufasha.Kiranihweza kandi amabi yerekana ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu no muri politike vyaranze iyi ndwi.

Amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu yabonetse kandi yatohojwe n'umuhari Iteka ameze uku gukwirikira : n'imiburiburi abantu 3 barishwe harimwo ibiziga 2 vyatowe,abantu 5 bafashwe ku nguvu harimwo abakobwa 4 bari musi y'imyaka 18.Kandi kuvyerekeye agateka k'abana,abana 11 bakorewe amabi baraharuwe.

Ahanini abikekwako ayo mabi ni abo mu ntwaro,abapolisi,abasirikare hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

# I. UMWIHWEZO

## I.1. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO

### Abantu 2 bakomeretse muri komine Nyanza, intara ya Burunga

Kuwa 29 Ndamukiza 2026,hafi igihe c'isaha 12 z' umugoroba,ku mutumba

Mukungu muri komine Nyanza,intara ya Burunga, Félicien Nikundana, w' imyaka 20 , na Lévis Niyomwungere, w'imyaka 25, barakomeretse bazibuwe imbuga ku rutugu no mu mbavu mugihe bariko barwana n'urwaruka rw' Imbonerakures. Kubwo ababibonye, umurwi w'urwaruka rw'umugambwe CNDD-FDD, rumaze kunywa inzoga ziboreza zibujijwe n'amategeko bita Ibimbagara, rwarateye uwuhita tutazi,kugira bamwibe.Mu guhunga,uwo mugabimbugita yo mu kibanza bokerezamwo inyama aca akomeretsa atabibonye iyo misore 2 yibaza ko bagomba kumugirira nabi.Abakomeretse baratwawe ku kigo c'ubuvuzi c'i Mukungu kugira bavurwe.Emelyne Tuyisabe, arongoye zone Mukungu, aravyemeza kandi asigura ko bamwe mu rwaruka banywa ibiboreza vyinshi bagaca bahungabanya umutekano.

### Ubusuma bwimonogoje muri komine Ngozi, n'intara ya Butanyerera

Kuva kuwa 28 Ndamukiza 2026,mu muji wa Busiga, komine Ngozi, intara ya Butanyerera, amashure,ikigo c'ubuvuzi hamwe n'imihana itandukanye biri mu kizime inyuma y'aho hibiwe urutsinga rupima imetero 60 rw'amatara ya REGIDESO.Abakozi ba REGIDESO biteguriye kunagura uwo muhora w'amatara ariko barababajwe n'ubwo busuma bw'ibikoresho vya Leta.

## I.2. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE

### Ihungabana rw'urwego rw'ubutungane muri komine Kiganda mu ntara ya Gitega.

Kuva aho hasohokeye itegeko shikiranganji No 550/1292 ryo kuwa 13 Ndamukiza 2026 rigena kandi rirungika abacamanza bamwe mu ntara ya Gitega, nta gikorwa na kimwe c'ubutungane gikorwa mu ma sentare amwe amwe yo muri komine Kiganda.

Iyo komine uno musi ifise ama sentare y'intango angana n'ama zone 8 agize komine. Kuri ayo masentare 8, 3 yararose abacamanza 2 harimwo umwe ataramutswa sentare. 5 yandi yarose umucamanza umwe ata n'umwanditsi w'imanza.Kiretse uko kubura abacamanza,sentare 6 kuri 8 ntiziraronka i biro zikoreramwo. Abacamanza baratonda ku ma zone ariko ntibashobora kwakira abantu kuko batagira i biro.

Iyo ngorane nyene iribonekeza muri komine Muramvya aho abacamanza batararonka i biro mu mazone amwe amwe.Abitura ubutungane ntibakimenya uwo bokwitura, Ntibashobora gushikira imanza zabo.

## Uguhasha abakora urudandazwa rwa magendo muri komine Kayanza, intara ya Butanyerera

Umutekano w'abantu urabangamiwe uravye imiryango ihegereye. Abo banyagihugu, ubuzima bwabo n'ukubana neza bishoboka cane cane kubera guhanahana ibidandazwa n'imico, baguma babona bageramiwe cane kubera iterabwoba ryiyongera ryo kwica umuntu wese azokora urudandazwa n'ababanyi bo mu Rwanda,rikorwa n'indongozi zo mu ntara kandi bigashikirizwa na bamwe mu bajejwe umutekano.

Ico cuka c'ubwoba cunyurwa n'iterabwoba rikorwa n'uwurongoye ikirindiro c'iMparamirundi Major NTATAGABIRI Franck ashikiriza ko azokwica uwikekwa ko akora urudandazwa rwo mu kinywabi wese ashora mu Rwanda.

Mu bisanzwe,kuwa 29 Ndamukiza 2026,hafi igihe c'isaha zishira ubuca,abitwa NSHEMEZIMANA Claude na NSABIMANA Moise,bose bafashwe n' igipolisi kubera bikekwa gukora urudandazwa rwo mu kinywabi rw'ikawa n'igihugu c'Urwanda, baraturubitswe mugihe babazwa ,aho bariko barakubagurwa bongera baborezwa igufa, badomyeko urutoke uwitwa Bigirima ko bafadikanije , icatumye ahagarikwa muri ico gitondo nyene.Abanyagihugu batabajwe,baregeraniye imbere y'ikirindiro c'igipolisi kugirango bagerageze mu mwiheburo kwanka ko ababo bicwa biciye kubiri n'amategeko.

Imbere y'isinzi ry'abanyagihugu bajumarariwe bakoraniye ku biro vy'igipolisi kugirango baronke amakuru y'ababo bahagaritswe,umukuru w'ikirindiro NTAYAGABIRI Franck, yabumvishije ko boreka kugumuka, atwara abapfungwa inyuma y'ikirindiro c'igipolisi,arasa amasasu yongera asubira inyuma mu banyagihugu kubabwira ko yabishe kubwo itegeko yahawe kandi rizwi kuvyaha nk'ivyo. Ubwonyene amakuru yaranyuragiranye ku mbuga ngurukana bumenyi,ibitangaje, vyabeshujwe n'umushikiranganji wo hagati mu gihugu,umutekano hamwe n'iterambere ry'abanyagihugu, mu mpera y'umusi ku rubuga rwiwe @MininterInfosBi. Umuhari ITEKA uranegura ukwo kuvuga ibihushane mu rwego rumwe rwa Leta, cane cane igihe ari urwo umutekano, bigacafuza Leta kandi bigatuma abantu bata icizere ku bimenyeshamakuru hamwe n' amashirahamwe yigenga abikorerako mu makuru yabo batagize amatohoza yimbitse.

Twomenyesha ko uwo musi nyene,kuwa 29 Ndamukiza 2026,umushikirizamanza wa Repuburika iButanyerera yarahishikiye hanyuma abo bapfungwa 3 bungururijwe muri komisariya ya Kayanza mw'ijoro kugira hakorwe amatohoza y'ubutungane kandi bukeye bwaho Sentare nkuru yafashe ingingo ko ari urubanza rw'ikibiriraho. Muri sentare, Claude na Moise bakatiwe umunyororo w'umwaka umwe n'ihadabu y'amahera angana 500000fbu kuri umwe umwe. Ku bijanye na Salvator, yararekuwe. Uwundi muntu agira kane,ni umupasitori wo mu Rushengero rwa FECABU aho Salvator yakora, yitwa Nkurunziza Jean Marie, yafashwe mu gihe c' urubanza kubera ko yakoresheje terefone yiwe mu gufata amajwi y'urubanza.

# *I.3. UMWIHWEZO W'UBUFASHA*

## Amarushwa y'impunzi zirukanywe muri Tanzaniya mu ntara ya Buhumuza

Abarundi bahunguka ubu birukanywe muri Tanzaniya baba mu nkambi yo kurindiriramwo y'iNyabitare,aho ubuzima babayemwo buteye agahinda.Kubera ingingo iherutse ya Leta ya Tanzaniya yo guhungura impunzi z'abarundi ku gahato,ubuzima bwo muri iyo kambi ntibwimirije no kuba bwiza.Ikirindiro ca Nyabitare,gifise ubushobozi bwo kwakira abantu batorenze hagati ya 500 na 600,ubu kiruzuye cane, aho cakiriye abahungutse 853 ku musi wa mbere igenekerezo rya 27 Ndamukiza 2026.Kuri abo hiyongerako abahungutse 634,harimwo 618 bavuye mu nkambi ya Nduta na 16 mu nkambi ya Nyarugusu,bagarutse ku musi wa kabiri igenekerezo rya 28 Ndamukiza 2026.

Impunzi zimwe zimwe bagaruka n'amaguru kubera ugutotezwa n' indongozi za Tanzaniya,bagaca mu binywabi kugira bashike ku kirindiro, mugihe abandi bararonka amakamyo atangwa na Leta ya Tanzaniya abatwara gushika ku rubibe rw'uBurundi na Tanzaniya,imbere yo gutwarwa n'ingendeshwa za HCR gushika mu nkambi yo kurindiriramwo. Bahashitse,HCR irabaha ama dorari 80 ku muntu umwe umwe,agenewe kworosha gushika aho bahunze bava.Twomenyesha ko ubwo buhinga ari impinduka iboneka ugereranije n'uko vyahora bikorwa,aho HCR yabatwara gushika ku mitumba bavukako.

Kubera uguteba kubaha uburyo bwo kwiyunguruza butangwa na HCR ibicishishije kw'ibanki Finbank, mw'ikambi yo kurindiriramwo, abahunguka basanga rimwe na rimwe babwirizwa kurindira indwi irenga,gutyo bikunyura ubuzima bwabo. Iruhande ya HCR n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bujejwe uguhunguka,harabuze abandi bafasha.

Bahashitse,HCR irabaha ama dorari 80 ku muntu umwe umwe,agenewe kworosha gushika aho bahunze bava.Twomenyesha ko ubwo buhinga ari impinduka iboneka ugereranije n'uko vyahora bikorwa,aho HCR yabatwara gushika ku mitumba bavukako.Kubera uguteba kubaha uburyo bwo kwiyunguruza butangwa na HCR ibicishishije kw'ibanki Fin-bank, mw'ikambi yo kurindiriramwo, abahunguka basanga rimwe na rimwe babwirizwa kurindira indwi irenga,gutyo bikunyura ubuzima bwabo. Iruhande ya HCR n'ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bujejwe uguhunguka,harabuze abandi bafasha.Haribonekeza nk'ukutahaba kw'amashirahamwe nka Caritas Burundi, ijejwe gutanga indya zihiye,TPO rijejwe amagara, COPED rijejwe inyubako,AVSI rijejwe gukwirikirana abantu bafise ibibazo bisangije,na Croix-Rouge ritanga amazi.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

# I.3.UMWIHWEZO W'UBUFASHA(Ibikurikira urupapuro 6)

Uko kutahaba kw'ayo mashirahamwe birunyura uko babayeho,bigatuma abahungutse babura ubufasha bwa nkenerwa kandi bikazana inkurikizi mbi cane.Ku musi wambere igenekerezo rya 27 Ndamukiza 2026,harabaye ikintu giteye ubwoba,kijanye no kubura ubuvuzi muw'ikambi yo kurindiriramwo:umutama kazi w'imyaka 75 yarapfuye kubera ibikomere yakomerekejwe n'urwaruka rw'abatanzaniya,bakunda kwita« Abanamugambo », bari mu mugambwe uri ku butegetsi,CCM.

Umunsi ukurikira, umugore yibungenze nawenyene yaramerewe nabikubera kubura ubuvuzi bubereye mu kw'ibaruka,naho umuvyeyi n'umwana bahavuye barokoka. Ivyo bihe bitoroshe,niho havuye ingingo yihuta ya Reta ya Tanzaniya yo kunyarutsa ibijanye no guhunguka batavuganye n'abandi bafashanya,nka HCR na Reta y'Uburundi.Twobibutsa ko Reta ya Tanzaniya yari yatanze itariki ya nyuma ya31 Ntwarante 2026, ivuga ko ata mpunzi n'imwe y'I Burundi izoba iri ku butaka bwabo inyuma y'iyo tariki,batanga ukwezi kumwe gusa kw'inyongera gushika kuwa 30 Ndamukiza 2026.Kandi tubibutse ,umukuru wa CNIDH, Mgr Nyaboho Patrick yari yateye akamo ko Reta y'Uburundi itazoba iraheza kwitegura ,agasaba ko bokwongereza ikiringo gushika mu kwezi kwa Mukakaro 2026.Kubera ubwinshi bwabo,abahungutse ntibafise aho baba habereye,bamwe batinya mu mara ijoro ryose ku kangaratete,bakubitwa n'imbeho,haba abakuze ndetse n'abana.

Benshi muri bo barafise ibimenyetso vyaho baborejwe igufa ku mibiri yabo kandi batinya no kwandura indwara zituruka kw'isuku rike kandi bakaba begeranye cane. Ugucerwa mw'itanga ry'amahera yo kwiyunguruza birunyura ubuzima bubi bari basanganywe kandi bigatuma kuba mu makambi bashikiramwo biba amananiza,bigatuma bamwe muri bo ata bifungurwa basigarana.Abafise uburyo bagura imfungurwa zidatetse ariko bagira ingorane zo kuronka inkwi zo kubiteka hamwe n'amazi. Ikindi,amahera yo kwiyunguruza,HCRiratanga kandi amahera yo gusubira iwabo ingana amadorari 300 ku muntu,agenewe gufasha gusubira mu buzima busanzwe mu mezi atatu ya mbere batahutse.Ariko,ayo mahera bayaronka kenshi inyuma yo gushika mu miryango yabakiriye. Impunzi zitera akamo zisaba ubufasha bw'abarundi hamwe na Reta y'uburundi kugira babemerere gusubira mu gihugu c'amavukiro mw'iteka.

**Ubusuma bw'amahera aho biba impunzi muri komine Gisuru,intara ya Buhumuza**

Kwigenekerezo rya 30 Ndamukiza 2026,impunzi z' abarundi zavuye muri Tanzaniya zashikiye muri zone Nyabitare, komineGisuru, intara ya Buhumuza, zishikiriza ubusuma bw'amahera bukorwa n' amashirahamwe abakira.Bemeza ko babarihisha amahera menshi cane mu kubunguruza,ariko bamaze kuriha,ntibababatware iyo baja.

Bavuga ko batangazwa n'ugutanga amahera y' ukwiyunguruza kandi bizwi ko bafatwa mu mugongo na OIM,yabwirizwa kworosha ukwiyunguruza kwabo.Bugaraniwe muri zone ya Mugera, kw'igenekerezo rya 30 Ndamukiza 2026,basaba gusubizwa amahera yabo hamwe no kubaha ingendeshwa babemwreye kugira zibajane iyo baja.

***Nk'akarorero*** ***:****Abarundi bahungutse bava muri* Tanzaniya baridoze kw'igenekerezo rya 30Ndamukiza 2026 igihe bashika ku murwa mukuru wa zone Mugera. Abo bahungutse bashikirije ko abagendesha imodoka babashikije muri zone Mishiha. Abo bahungutse bamenyesha ko bakiva muri Tanzaniya, babanje gushikanwa mw'ikambi yo kurindiriramwo ya Nyabitare, komine Gisuru.Bava muri iyo kambi bajanwa mu miryango yabo kandi rimwe na rimwe amashirahamwe abakira arabiba amahera kubera basabwa kuriha amahera yo kwiyunguruza ku modokari zibajana kandi zitanabashikana iyo baja.

Ku biheruka,uwugendesha FUSO yari itwaye imizigo y'abahungutse hamwe n'uwundi agendesha PRPBOX bari bapfungiwe mw'ibohero iMugera.Ingendeshwa yari itwaye ingenzi yarasubiye i Nyabitare imaze gushika i Mugera mugihe yabwirizwa kubashikana iMishiha.Uwo yagendesha FUSO yarashatse kubandanya kugira ashikane iyo mizigo iyo yaja ariko ingenzi ntizavyemeye,ntizashatse kurungika ibintu vyazo atawubicunga.Bamusavye ahubwo ko ko yojana ingenzi ariko uwo yagendesha imodoka yashikirije ko bidakunda ko abatwara mugihe harimwo abagendana ubumuga. Ivyo vyatumye haba imigumuko imbere ya zoneMugera aho uwo yagendesha FUSO yapfunzwe hamwe n'uwundi agendesha PROBOX.Abo bahungutse basavye ko ingendeshwa isubira inyuma kugira ibashikane kandi baranasaba amahera barishe y'imodoka zitwara abantu kubera baramenye ko barihiwe na OIM(Ishirahamwe mpuzamakungu riraba abinjira n'abasohoka ibihugu).

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUFASHA(Ibikurikira7)*

**Abantu 1956 bapfuye hamwe n'abarenga 5 000 000 bafashwe n'inyonko mu gihugu mu mwaka wa 2025.**

Kw'igenekerezo rya 25 Ndamukiza 2026,Buca bahimbaza umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe kugwanya inyonko wabaye kuwa 25 Ndamukiza 2026, muri zone Kinama, komine Ntahangwa, intara ya Bujumbura, docteur Mathias Nsabimana, umuyobozi w'imigambi wo kurwanya inyonko mu gihugu (PNLP), yamenyesheje ko abantu1 956 barahitanywe n'inyonko kandi abarenga 5000 000 nibo baharuwe bayirwaye mu mwaka wa 2025.

Kubwo uwo muganga,benshi mubakozweko ni abana bafise musi y'imyaka 5 hamwe n'abakenyezi bibungenze,kubera umubiri wabo udashobora kwirwanira bikwiye.Yaranamenyesheje ko ubuyobozi bw'amagara y'abantu bw'i Ngozi n'i Nyabihanga aribwo bwakozweko n'iyo ngwara gusumvya ahandi.Ahamagarira abanyagihugu kwivuza hakiri kare bakibona ibimenyetso vya mbere,kubera inyonko ishobora kwica mu mwanya mutoya iyo itavuwe. Inyonko ni ingwa ibabaza kandi isinzikaza abarundi,Leta y'uBurundi yategerezwa gukomeza ubuhinga kugira vyorohe gushikira ubuvuzi.

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE

#### II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATARAMENYEKANA CANKE ABATOWE IBIZIGA

**Umuntu yishwe muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza**

Kwigenekerezo rya 2 Rusama 2026, ku gacimbiri Rurama, ku mutumba Muterero, zone na komine Cankuzo, intara ya Buhumuza, uwitwa Staphanie Masaho, umupfakazi w' imyaka yababa 60 ,yaranigiwe mu gace ko kuri ako gacimbiri imvura iriko iragwa hagati y'isaha imwe na zibiri z' ijoro.Kubwo amasoko yaho,uwitwa Agnès, yahukanye, umuremesha kiyago ku mutumba Gatungungwe, zone Cankuzo hamwe n'umuhabara wiwe bariketswe ko bafise uruhara mu rupfu rw' uwo mutama kazi.Barahagaritswe bongera barapfungwa kumvo z'amatohoza.

**Ikiziga c'umugabo catowe muri komine n'intara ya Gitega**

Mw'ijoro ryoo kuwa gatandatu igenekerezo rya 2 Rusama gushika kuwa w'Imana igenekerezo rya 3 Rusama ,ku mutumba na zone Rutegama, muri komine n'intara ya Gitega, umugabo yitwa Bigirimana Deogratias, w'imyaka 54 , yarishwe n'abantu bataramenyekana. Ku bwo isoko ryacu,ikiziga yatowe hafi y'imetero 700 uva muhira iwe.Iryo soko nyene rivuga ko ico kiziga gifise igikomere kinini cane mu mutwe,bigatuma kwibazako yoba yatemeshejwe umupanga. Naho biri uko,harikekwa kandi ko yoba yiciwe ahandi,ikiziga baracunguruje bagishira aho bamutoye,kubera atamaraso yari impande,uravye ubunini bw'igikomere.

Gushika ubu,abakoze iryo bara ntibamenyekana. Amaziko yabaye ku w'Imana inyuma y'umutaga,kw'itegeko ry' inyamiramabi yashitse aho vyabereye.

#### II.1.1.2. ABANTU BISHWE KUBERA UKWIHORA

**Urupfu ruteye amakenga rw'umugore yakurikirana urubanza rw'umwana wiwe yafashwe ku nguvu mu Bukeye komine Muramvya mu ntara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo kuwa 29 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitatu,umugore w'imyaka 40 yarapfuye inyuma yogushika mu rugo rwiwe,rurimuri karatiye Nyamugari,muri zone Bukeye, muri komine Muramvya,mu ntara ya Gitega. Uwo yapfuye yakurikirana urubanza rujanye n'ugufatwa ku nguvu kw' umukobwa wiwe muto cane,w'imyaka 7.

Ku bwo intahe twegeranije ku masoko yaho kandi yemezwa na M. Nshimirimana J. Pierre,arongoyeikirwati ca Gahaga, hafi y'isaha 3 z'ijoro,uwo yapfuye yari yagiye mu bunywero bwo muri karatiye Nyamugari. Yahaguze icupa rimwe imbere yo gutaha muhira iwe. Inyuma y'iminota 5 ashitse

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA *(Ibikurikira kurupapuro 9)*

muhira,urwamo rwarumvikanye hanze y'inzu yiwe ,abana biwe basohotse kuraba ivyo ari vyo,bamusanze ari ikiruruma.

Batabajwe,ababanyi baratabaye hanyuma uwo mugore ajanwa ku bitaro vyihuse, aho bashitseyo yapfuye.

Amasoko yaho avuga ko uwo muhisi yaharanirainyugu z'agakobwa kiwe k'imyaka 7,kaba mu kirwati ca Rubirizi, komine Muhanga, mu ntara yaButanyerera. Umwana yaheruka gufatwa ku nguvu n'umugabo w' imyaka 60,se w'abana 7 ubu ari mu gasho. Ariko, amakuru yaho avuga ko abo mu muryango yiwe bagerageza kunyegeza canke gukuraho,kunyegeza ivyemeza,kugira baburabuze igikorwa c'ubutungane.

Ku bwo ayo masoko,buca apfa,uwo yishwe avuye ku bitaro vya Musema,biri muri komine ya Matongo, mu ntara ya Butanyerera, aho umwana wiwe yapimiwe. Yarafise ibipapurovyo kwa muganga vyemeza ko umwana wiwe yafashwe ku nguvu.Imvo nyamukuru y'urupfu rwiwe ntiziramenyekana. Umuryango w'uwo yishwe basaba amatohoza yigenga yotangura.

## II.2. *UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### II.2.1. *UGUFATWA KU NGUVU*

**Umwigeme yafashwe ku nguvu i Mparamirundi, murikomine Kayanza, mu ntara ya Butanyerera**

Kuwa26 Ndamukiza 2026, muri zone Mparamirundi yo muri komine kayanza mu ntara ya Butanyerera, N. A, afise imyaka 17 ,adakwije neza mu mutwe ava ku mu karere ka Masanganzira iNgozi-Kirundo yarafashwe ku nguvu na Ngabonziza Alexis afise imyaka 60 .

Uwakoze ako kabi yarahenze uwo yabikoreye aca amujana mu gashamba kugira amufate ku nguvu. Ababanyi bo muri ako karere barahashitse baca batwara uwagize ivyago ku bitaro vyo mu Kayanza kugira avurwe.Abajejwe intwaro hamwe n'igipolisi bariko barondera iyo nkozi y'ikibi kugira akurikiranwe n'ubutungane.

### Umukobwa muto yafashwe ku nguvu muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 30 Ndamukiza 2026, ivuga ko kuwa 19 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitanu z'umutaga,ku mutumba Murara, muri zone Rusabagi, muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga, umukobwa yitwa N. Y, 5 ans, yarafashwe ku nguvu na Niyonkuru Onésime, w'imyaka 26, ava mu ntara ya Butanyerera. Ivyo vyakozwe n'umukozi wabo mugihe abavyeyi atariho bari.Abavyeyi bagarutse, umwana yabwiye nyina wiwe ivyabaye,aca amujana ku kigo c'ubuzima ca Muyange kugira bakurikirane amagara yiwe. Uwikekwako icaha arahagarikwa hanyuma ajanwa ku kirindiro c'igiporisi ca Muyange imbere yo kurungikwa muri komisariya y'igiporisi Rumonge.

### Umugore yafashwe ku nguvu muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 30 Ndamukiza 2026, ivuga ko kuwa 15 Ndamukiza 2025, ku mutumba nyakuguma,muri zone Kigwena, muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, N. Sc, afise imyaka 32,yarafashwe ku nguvu n'abantu 3 batamenyekanye .

Kubwo amasoko yo muri ako karere,ivyo vyabereye mw'ishamba mugihe yari mu bikorwa vyo mu ndimo hanyuma abagizi ba nabi baramurembereye baramufungisha igitenge yari yambaye kugira bamushurashuje. Uwo mugore yarakomye induru cane hanyuma yumviswe n'abana bariko barasenya. Abo bana batabaza abakuze kugira baze kumutabara. Yajanywe ku kigo Humura co mu Rumonge kugira bakurikirane amagara yiwe. Abikekwa ko icaha ntibaramenyekana.

## *II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU (Ibikurikira urupapuro 10)*

### Umukobwa yafashwe ku nguvu muri komine Mugere mu ntara ya Bujumbura.

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 30 Ndamukiza 2026, ivuga ko kuwa 13 Ndamugikiza 2026,ku mitumba Kivoga muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura S. I,w'imyaka16, yarafashwe ku nguvu na Bukuru Dieudonné.

Umukobwa akiri muto yavuye kw'ijoro hanyuma aja kuramutsa umugenzi wiwe BUKURU Dieudonné, umudandaza afise inzu y'ubudandarizo iri impande y'ishure. Yamwakiriye mu nzu abamwo,aramwiyegereza,atangura kumukorakora hanyuma amukuru impuzu ku nguvu,aramushurashuza.

Ytashe iwabo arira hanyu ayagira vyose abavyeyi biwe. Baciye bamujana bunonyene ku bitaro vya karere ka Kabezi kugira bamukingire indwara zifatira mu bihimba vy'irondoka.Uwabikoze amenyeko ivyo yakoze vyamenyekanye yaciye ahunga

### Umukobwa muto cane yafashwe ku nguvu muri komine Kayanza muri komine Butanyerera

Ku wa 27 Ndamukiza 2026,muri zone Konge, muri komine Kayanza,mu ntara ya Butanyerera, I. C afise imyaka 4 yafashwe ku nguvu na Nicoyitungiye Prosper w'imyaka 17,agendesha ipikipiki. Umuhungu yarahunze kandi igiporisi kiriko kiramurondera.

Abanyagihugu bo muri komine Kayanza basaba abakozi b'ubutungane guhana abakora amabi yo gufata ku nguvu yiyongera ku munsi ku munsi.

# *III. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*

## *III.1.AGATEKA K'ABANA*

### Umunyeshure yamenywe ijisho n'umwigisha wiwe muri komine Muha,mu ntara ya Bujumbura

Ku wa 30 Ndamukiza 2026, kw'ishure nshingiro ya Gakungwe (bita « Kwa Capara »), ku mutumba Gakungwe,muri komine Muha,mu ntara ya Bujumbura, Led Chandel Nizigiyimana umunyeshure wo mu mwaka 4 yarakubiswe cane na Rénovat, umwigisha wo kw' ishure yatumye ahuma burundu.

Ku bwo ivyabona vyo mu karere, umwigisha yahama-gayeumuhungu Chandel mugihe uyu yariko akina n' umugenzi wiwe hanyuma umwigisha atangura kumukubagura gushikaho amumena ijisho.

Inyum yo kumukomeretsa,umwigisha yarakoze ibindi vyaha bibiri bikomeye vyiyongera ku cambere;yagumije umwana kw'ishure gushika isaha imwe y'ijoro,amubuza gutaha mu muryango. Naho ijisho ryababaye cane,natangingo n'imwe yafashwe n'umwigisha canke ubuyobozi bw'ishure kugira umunyeshure ajanwe kwa muganga.

### Umwigeme akiri muto yahagaritswe muri komine Mukaza mu ntara yaBujumbura

Kuva kuwa 21 Ndamukiza2026, Devote Ndikumana,afise imyaka 15 , arapfungiwe muri komisariya ya zone Nyakabiga, yagirizwa n'umukoresha wiwe Ngabire Chadia kuba yivye amahera angana 300 y'amadorari y' abanyamerika yari muhira iwe.

Uwo yapfunzwe yakora nk'umukozi wo mu nzu wo wa Chadia, umugore asa n'uwukora akazi k'abadandaza umubiri. Ku bwo amakuru twatororokanije,umukobwa yakoze akazo hafi amezi 6 adahembwa hanyuma iminsi mikeya asaba agahembo kiwe,ibintu vyarahinduye isura. Nyinabuja yaciye amwagiriza kuba yivye amahera yabitse mu kabati hanyuma umwana arahagarikwa,hanyuma apfungirwa muri komisariya ya Nyakabiga.

## *III.1.AGATEKA K'ABANA (Ibikurikira urupapuro 11)*

### Umwana yaturiwe muri komine Kayanza mu ntara ya Butanyerera

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 1 Rusama 2026 ivuga ko ku wa 20 Ndamukiza 2026, ku mutumba Mihigo,muri komine kayanza,mu ntara ya Butanyerera, Iteriteka Kenty afise imyaka 9 yaturiwe na se wiwe Nyandwi Firmin w'imyaka 40 ku kuboko kw'iburyo rw'umwana wiwe w'umuhungu. Uwo yaturiwe bamugumije muhira indwi yose atavujwe.

Ku wa 26 Ndamukiza 2026 ababanyi b'uwo muryango babonye ko umwana ababajwe n'ubwo bushe hanyuma barega Firmin ku ndongozi zaho. Uwahiye yajanywe ku bitaro vya komine kayanza kugira avurwe kandi uwikekwa ko icaha yajanywe mu gasho ka komisariya ya kayanza.

### Umwana yaturiwe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega

Ku wa 26 Ndamukiza2026, hafi y'isaha imwe y'ijoro, ku mutumba Karunyinya, muri zone Buhiga,muri komine Karusi, mu ntara ya Gitega, Nishimwe Bénit,w'imyaka 4 , umuhungu wa Ndihokubwayo J. Bosco,umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka 29 na Valérie, w'imyaka 26 ,yaturiwe ikiganza c'iburyo na nyina wiwe Valerie. Ku bwo ivyabona vyo mu karere,nyina wiwe yamwagirije kurya imfungurwa babitse zo kurya mwijoro hanyuma aca adubika ukuboko mu ndya zishushe cane. Valérie yarahagaritswe hanyuma arapfungwa mu gasho k'igiporisi ca zone Buhiga mugihe umwana yajanywe ku bigo vy'ubuzima vya Buhiga ku wa27 Ndamukiza 2026 na Inasenge imbere yo kumurungika ku bitaro vy'i Buhiga aho arwariye.

### Ikubagagurwa bikorwa n'abakozi b'igisata c'amagara y'abantu muri komine Muha mu ntara ya Bujumbura

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 1 Rusama 2026 ivuga ko kuwa 12 Ndamukiza 2026,muri komine Muha,mu ntara ya Bujumbura, Bandyatuyaga Hyppolite, umuganga wo kubitaro vya Kabezi, yarakubaguye abana 2 bakiri bato, Simplice, w'imyaka 14 na Alexis, w'imyaka 17 yabagiriza ubusuma.

Kubw'ivyabona vyo muri ako karere, abo bayabaga 2 bijiye mu rupangu rw'umuganga kwiba amabati 4 y' igikoni ciwe,imbere yo kuyadandaza ku muntu agura ivyuma waho batazira « Mwarabu ».

Inyuma yo gutora abivye,Dr Hyppolite yafashe abo bahungu 2 hanyuma arabakubita cane kuburyo abo bahungu badashobora no gutambuka.

Ico kintu co kwihanira, cakozwe n'indongozi mu gisata c'amagara y'abantu yategerezwa gukingira ubuzima,vyarateye akababaro cane mu babanyi kandi ivyabona vyari bihari ,vyaragaye cane ingendo yo kwihanira aho guca mu nzira zizwi n'amategeko.

### Uruja n'uruza rw'abana badaherekejwe ruteye amakenga baja i Bujumbura mu ntara yaButanyerera

Kuwa 29 Ndamukiza 2026, hafi y'isaha zitandatu z'umutaga i Ngozi, mu ntara ya Butanyerera, Abana 5 atanumwe abaherekeje barahagaritswe bari mu ngendeshwa yo mu bwoko bwa coaster ivuye mu kirundo baja i Bujumbura.Igiporisi gikorera ku kagozi ko mw'ibarabara yatanze impanuro abiyunguruza bose imber yo kujana abo bana ku biro vy'inyamiramabi kugira hakorwe amatohoza. Abarongoye intara ya Butanyerera batanze itegeko ku bunguruza abantu kutazigera basura kujana abana badafise ababahereje ku mvo z'umutekano.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *III.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA (Ibikurikira urupapuro 12)*

**Ugukorora inda vyateguwe muri komine Karusi,mu ntara ya Gitega**

Kuwa23 Ndamukiza 2026, ku gacimbiri kaNyarugati, ku mutumba Kiranda, muri zone Bugenyuzi, muri komine Karusi ,mu ntara ya Gitega, Nadine, umunyanyi wa CNDD FDD, w'imyaka irenga 20 yarakoroye inda ku bushke bwiwe inda y'amezi 7 ariko amagara yiwe yarabaye nabi hanyuma bamujana ku bitaro vya cinquantenaire vy'i Karusi aho aremvye cane. Kubwo ivyabona, yanyoye imiti yahawe n'uwmuteye iyo nda ariwe umukuru wa karatiye yitwa Havyarimana, umunywanyi wa CNDD FDD afise imyaka 40 , inyuma yo kwumvikana kuyikorora.Inyuma yo gufata iyo miti,umukobwa ytanguye kuribwa yiyaga umubiri wose hanyuma asaba umugenzi wiwe Claudine kumuronderera imiti nyina wiwe asanzwe aha abarwaye umushishito kugira arabeko uburibwe bwogabanuka.Kuwa 27 Ndamukiza 2026,Dushime Claudine, umunywanyi wa CNDD FDD yahagaritswe n'igiporisi n'igiporisi hanyuma ajanwa mu gasho ka zone Bugenyuzi.Uwateye iyo nda n'ubu ntaraboneka. Kubw'ayo masoko nyene ,igiporisi umurwayi atora mitende hanyuma ajanwe mu butungane.

## *IV. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi :***

1. Kwongereza ubuhinga bwo gukurikirana neza indongozi zo mu ntwaro na poritike zaho kugira bakinge amabi akorwa nabo

2. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga

3. Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana ububegito no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu bishure akabi bakoze.

4.Gufata ingingo zibereye zo gukingira agateka k'umwana